N’iki kindi nshobora gukora?

Kumbure nimba ufise mammograms isanzwe, BreastScreen SA bashishikariza abapfasoni bose “Gusuzumwa Amabere”. Niwabona impinduka zidasanzwe kuma bere yawe, saba isango yo kubonana na dogiteri wawe usanzwe ata guteba. Ibuka ugukingira kare n’ivyingira kamaro!

Mbega nihe noshobora kubona igipimo c’amabere kuri gusa?

Clinike ya BreastScreen SA itumbereye

- **Arndale**
  Centro Arndale, Shop 29 C facing Hanson Road, Kilkenny
- **David Jones Rose Clinic**
  Lower Ground Floor, Adelaide Central Plaza, 100 Rundle Mall, Adelaide
- **Adelaide (Frome Road)**
  Gate 4 or 5, University of SA Campus, opposite the Dental School
- **Christies Beach**
  107-109 Dyson Road, Christies Beach
- **Elizabeth**
  GP Plus Health Care Centre, 16 Playford Boulevard, Elizabeth
- **Hyde Park**
  292-294 Unley Road, Hyde Park
- **Marion**
  Suite 6 Marion Medical Centre, 199 Sturt Road, Seacombe Gardens

BreastScreen SA kandi irafise centire y’Ibipimo Vyimukanwa igenderera intara mugihugu buri uko imyaka ibiri iheze.

Ugusaba isango, terefona 13 20 50.

Ikete uhabwa na dogiteri ya recommandasiyo ntabgo ikenewe, kandi imfashanyo y’ugusigura irahari kuri gusa. Ugufata isango k’umugwi navyone biraboneka k’ubapfasoni bagomba kuza ari umugwi.

For more information

BreastScreen SA
SA Health
Telephone: 13 20 50
www.sahealth.sa.gov.au/breastscreen
bssaenquiries@health.sa.gov.au

If you do not speak English, request an interpreter from SA Health and the Department will make every effort to provide you with an interpreter in your language.

BY NC ND
www.ausgoal.gov.au/creative-commons

© Department of Health and Ageing, Government of South Australia. All rights reserved. Printed March 2014. 13037

Government of South Australia
SA Health

Amakuru y’igipimo c’amabere k’umupfasoni

Government of South Australia
SA Health

Kanseri y'amabere niyo kanseri usanga ifiswe n'abapfasoni benshi, gushika naho umupfasoni umwe kw'icumi muri Australiya y'Ubumanuko ayisanganwa imbere yuko akwiza imyaka 75 y'amavuko.

Kanseri y'amabere ntishobora gukingirwa mugabo ukwikingira kwiza k'umupfasoni birashobora gukingira ukuyirwara hakiri kare.

Kanseri y'amabere – ukuri

Kanseri y'amabere ni umugwi wa cellules zidasanzwe zibandanya zikura no kwigwiza. Mumwanmya izi cellules zirashobora kugira agapfundo mu ibere. Nimba kanseri itavanijweko canke ngo bayipfupfahaze cellules za kanseri zirashobora gukwirakwiza ibindi bice vy'umubiri kandi birashobora kutera urupfu. Kubona kanseri y'amabere ikiri ntoyi hakiri kare bitera amahirwe yo kuvurwa igakira.

Ibintumbi nyamukuru bigwiza kanseri y'amabere ni ukuba umupfasoni no gukecura. Ibiharuro vy'ipurusa zirenga 75% za kanseri y'amabere ziboneka kubapfasoni bafise ikigero c'imyaka 50 y'amavuko no kuduza.

BreastScreen SA itanga ibipimo vy'amabere bita (breast X-rays) kuri gusa ku bapfasoni bafise imyaka 40 canke irenga badafise ibimenyetso vya kanseri. Abapfasoni bose, cane cane abakwije imyaka 50 gushika kuri 69 y'amavuko barasabwa gupimwa igipimo c'amabere kuri gusa buri myaka ibiri.

Mbega ugusuzuma amabere niki?

Igipimo c'amabere ni X-ray (ipica ya digitali) ya tissue zimbere mumabere y'umupfasoni. Igipimo c'amabere ni uburyo bwiza bwo kubona kanseri y'amabere kare kandi birashobora gukingira kanseri y'amabere imbere yawe canke dogiteri ayibona.

Nigute igipimo c'amabere gikoreswa?

Ibere ishirwa neza na neza kuri machine ya X-ray kandi " yakanzwe" mumasegonda makeyi X-ray ihejeje kuyifata. X-ray zibiri zifata imwe yose ibere hama imwe igafata kumutwe iyindi kuruhande. Uguhuza canke "gukanda" ibere n'ingirakamaro kugira ngo ipica nziza iboneka neza iheze ifotogwe n'igitigiri gitoyi cane c'ubushuhe gikoreshejwe. Ukwegeranya ushobora kumva umengo bikuniga kandi bitamemeze neza, mugabo mu isegonda gusa zanyuma z'inshusho yose.

Niki cabaye igihe Ngendereye BreastScreen SA?

Hamwe ufise isango yawe, BreastScreen SA izokurungikira " Ibibazo Vyiwawe n'Ivyifuzo vy'Ibipimo" ugomba guzuza hama ukayizana umunsi w'isango ryawe.

Umunsi wo gupima ibere, usabwa kwambara impuzu zibiri, akarorero ijipo canke ipantaro n'ishati kandi ntuze ukoreshe agafu kipoda canke parufe kuko ibi bishobora kugira inkurikizi mbi y'ipica ya X-ray yafotowe.

BreastScreen SA irumva yuko abapfasoni benshi barashobora gutinya imbere yuko bapimwa, ubundi kandi abakozi bose ba clinike BreastScreen SA ni abapfasoni kandi ni abantu bumviriza kandi bubaha ivyo abapfasoni bakeneye.

Igihe uje kwisango ya BreastScreen SA

Tuzaguha ikaze,urupapuro rwawe ruzarabwa kandi tuzishura ikibazo cose kumbure ufise. Ndagusa uze ushike imbere y'iminota 10 kugira wubahe amasaha yibi. Uzerekwa icumba co guhinduriramo impuzu hama usabwe gukura impuzu zo mugikiriza. Urashobora gusaba iyindi kanzu.

Umukozi afata igipimo ca radio w'umupfasoni azokujana mucumba ca X-ray ukorerwe igipimo hama akubaze ibibazo bimwe bimwe. X-ray ya buri bere izopimwa hama uhangurwe kuvako. Nyuma y'isango yo gupimwa, X-rays zirabwa kandi n'abahinga babiri baba dogiteri bita aba (Radiologists) hama uzoronswa inyandiko y'ibisubizo kuri email muminsi 14. Umwanya umwe umupfasoni arashobora gutumirwa kandi ngo aheze atange ibindi bipimo harimo X-rays,ultrasound n'igipimo c'ibere igihe habonetse ibisubizo bitamenyerewe mu gipimo cawe c'amabere. Ibi nti bisigura igihe cose ko uba ufise kanseri y'amabere. Niba bikenewe umurwaza ava muri BreastScreen SA azoguterefona aheze ayage nawewe ibi.

Niki wogira niba ufise kahise k'umuryango ufise kanseri y'amabere?

Umupfasoni akwije imyaka 40 kandi ufise umuryango ufise kahise k'indwara ya kanseri y'amabere yemerewe gusuzumwa kanseri kuri gusa buri mwaka. Twakure kuri 13 20 50 tuyage ukungene umeze hama twemeze nimba wemerewe.